SAFECITYLOGAN

Safe Night Out - Kirundi

Ijororitekanyehanze

Hari igitiri c'amabarabara yemerewe mu muji wa Logan. Kuva ku mazu y'uburiro meza gushika ku mazu y'imyidagaduro, har'ikintu gikwiranye nivyo ukunda n'umufuko.

Mu gihe ugendera rimwe mu mabarara yemerewe, wibuka bimwe mu nyifato z'umutekano wogira kugira ngo ugire ijoro ryiza kandi rinezereye hanze.

- Gusiga ikinyobwa atawukiravye bishora kukuviramwo kunywa ibiyayuramutwe utabizi. Ucunge umutekano wawe mu kumenya neza ko udasiga ikinyobwa cawe atawe ugicungishije, n'aho hoba umunota umwe.
- Nimba umuntu utazi akuguriye ikinyobwa, jana nabo mu kabare umenye ko batongera mu kinyobwa cawe inzoga canke ibiyayuramutwe.
- Wirinde kuyerera wenyene kandi imisi yose ubwire abagenzi igihe usohotse n'ingene uzakugaruka muhira.
- Ntiwishire mu ngorane mu kujabuka amabarara, igihe cose ukoreshe aho vyagenewe kujabuka kandi ugume uca ah'abamaguru kunzira ziriko amatara.
- Wibuke ko inzoga zishobora kukugirira nabi kumubiri no mu bwengwe. Kunywa inzoga bishobora kukuzanira mu mwanya mugufi kunanirwa kuvuga neza, kunanirwa kugenda no guharara neza, agaseseme no kuyogwa, kwibagira, gutakaza ubwenge na rimwe na rimwe urupfu. Uburyo bwigufata ingingo bushobora nabwo kwononekara.
- Habemwo indya n'amazi mu mugoroba wawe. Uramenya ntugwe umwumwa (na cane cane iyo haba kugenda no gutamba cane). Birasabwa n'amategekomuri Queensland ko abemerewe bater'umwetebagafasha abantu kunywa amazi.
- Wibuke ko **ingumu imwe ishobora kwica**. Inzoga no kugwana bishobora kuba ibintu bibiri bijana, vyose biciye mu guhindura imyifato k'umuntu no kudashora kugenda no guhagarara neza. Bisaba ingumu imwe gusa guhindura ijoro rikakuviramwo akaga! Wirabe urabe n'abagenzi bawe hanyuma wibuke kuva mu bintu vyotuma ugwana.
- Utegure ingene uzagutaha imbere yuko ugenda. Kumenya ivyo bigabanya inzira zoguhura n'ingorane urondera inzira ija muhira.

wibuke

Umenye ntusige ikinyobwa cawe atawugicunze. Nimba ukeneye kuja ahantu udatwaye ikinyobwa cawe, umenye uronke umuntu wizigiye akirabe kugeza ugarutse.

IMANZA Z'IRIMWO INZOGA ZA GUSA

Umuji wa Logan utegura kandi ugaterera imanza nyinshi zaho n'ibirori, cane cane bitumbereye ku bantu bakiribato, bitarimwo ibiyayuramutwe n'inzoga. Ku bindi bisobanuro ja www.logan.qld.gov.au.

Igisata c'ibikorwa vya Leta, Umujiwa Logan
P: 3412 3412 F: 3412 3444 E: council@logan.qld.gov.au
PO Box 3226 Logan City DC 4114 www.logan.qld.gov.au

LOGAN CITY COUNCIL